www.kidworship.kr

# PETERO (Petero akiza umusezi w'ikimuga)

- 20th story -


103Page


104Page


105Page


106Page


107Page


108Page

Umusi umwe, Petero na Yohana baja ku rusengero mu masaha yo gusenga. Bashitse kw'irembo ry'urusengero, babona umuntu w'ikimuga. Yarai yamugaye kuva akivuka kandi ntiyarari bwigere ashobora guhagarara.

Imisi yose uwo muntu yasega abantu binjiye mu kigo c'urusengero. Abonye Petero na Yohana bagira binjire mu kibuga c'urusengero, abasaba amahera. " Nimumfashe."

Ariko yaba Petero canke Yohana nta n'umwe yari afise amahera.
"Twitegereze!"
Ca kimuga kirabitegereza. Petero aravuga:
" Nta feza canke inzahabu mfise, ariko ico mfise ndakiguha."
Ca kimuga kizana ukuboko, citeze kuronka ikintu kuri bo.

Petero abarira ca kimuga,
" Mw'izina rya Yesu Kristo umunyanazareti, haguruka! "
Petero amufata ukuboko kw'i buryo aramuhagurutsa.

Ubwo nyene, ibirenge n'amaso y'ikirenge vyiwe birakomera. Arasimbisha ibirenge hanyuma atangura gutambuka.. aranezerwa cane, abura ico afata n'ico areka. Aca akurikira Petero na Yohana mu rusengero, atambuka yongera asimbagirika ahimbaza Imana.

Abantu bose bamubonye atambuka kandi ahimbaza Imana, baramumenya ko ari wa muntu yahora yicaye asegerereza kw'irembo ry'urusengero.
"Ico si ca kumuga cahora cicaye gisegerereza kw'irembo ry'urusengero?"
"Ni ukuri atari we! Vyagenze gute."
Ishengero ryose batangura kuvugira mu ntamatama batangaye cane.
Ishengero ryose batangura kuvugira mu ntamatama batangaye cane.
Wa musezi akurikira Petero na Yohana, akoma akaruru,
"Aba bantu bamuguruye amaguru!"

Ishengero rishengerera Petero na Yohana. Petero abarira ishengero :
"Umve mwese, ntitwakijije ikimuga. Turi abantu nkamwe. Yesu umwana w'Imana niwe yakijije uyu muntu!"
Petero ahamagarira bose kwihana no kwizera Imana.

........................................................................................................................


109Page

Abaherezi n'abakuru b'abayuda, inararibonye hamwe n'abigisha b'ivyagezwe ntibashima ukuntu abigishwa ba Yesu bariko barabwira ubutumwa abantu. Bari babangamiwe cane kuko Petero na Yohana bariko bigisha abantu bavuga icese Yesu n'izuka ryiwe. Bafata Petero na Yohana bababashira mw'ibohero.
Umusi ukurikira, Petero na Yohana batwarwa imbere ya Sentare y'abayuda. Abaherezi, abarongozi, inararibonye n'abigisha b'ivyagezwe barababaza.
“ Ni ubwahe bushobozi canke izina mwigishamwo ivya Yesu? ”
“ Ni Yesu twigisha. Ni Yesu Kristo yakijije uwu muntu. "
Petero aravyemanga ata bwoba.
" Ntimuzongere kuvuga ivya Yesu. Mutatwubashe, muzogira ingorane zikomeye! ”
Abaherezi n'abarongozi, inararibonye n'abigishwa b'ivyagezwe barababurira.
" Turiko turubahiriza gusa ijambo ry'Imana. "

........................................................................................................................


110Page

Naho Petero atari yarize amashure, kubw'ubwenge buva ku Mana, yarashoboye kuvugana ubwitonzi imbere y'abantu. Abaherezi n'abakuru, inararibonye n'abigisha b'ivyagezwe baratangara. Babura ico bongera kubarira Petero na Yohana.

........................................................................................................................


111Page

Abantu bose babonye uko wa musezi w'ikimuga yakize bahimbaza Imana ku vyabaye. Mu nyuma, naho yagiye, Petero yigisha ijambo rya Yesu.